# Bibiliya y'Abana

Ishikirije



# Rusi: Inkuru Y'urukundo

Yanditswe na: Edward Hughes

Amashusho ashirwamwo na:
Janie Forest; Alastair Paterson

Itunganywa na: Lyn Doerksen

Isobanurwa mu Kirundi na:
Manurakoze Pacifique

Yateguwe na: Biblefor Children
www.M1914.org


©2024 Bible for Children, Inc.
Uburenganzira: Murafise uburenganzira bwo kwimura canke gusohora ku mpapuro iyi nkuru mugihe gusa mutayigurisha.




Iyaba mwashobora guhura na basokuruza banyu, abavyeyi babo, n'abantu bose babayeho imbere y'uko mubaho m'umuryango wanyu, mwotangaye mubonye abo bantu uko bari bameze. Muri bibiliya, umwe mubasekuruza ba Yesu muburyo bw'umubiri ni Rusi, umunyamowabo, yari afise akamenyero ko gusenga ibigirwamana.




Inkuru ya Rusi itangurira muri Isirayeli, inyuma y'igihe ca Samusoni, igihe abantu b'Imana baretse kwizera no kwumvira Imana. Ikiza c'inzara y'amapfa yaciye itera muri ico gihugu. Murazi ico arico amapfa? Ni igihe atavyamwa n'ibinyantetete biba biriho, ibikoko n'abantu bakicwa n'inzara.






3

Umugabo, Elimeleki, ava i betelehemu arikumwe n'umugore wiwe n'abahungu biwe babiri bagiye kurondera ivyo bafungura. Baja i mowabu, igihugu aho abantu baho basenga ibigirwamana.



4

Ibintu ntivyagenze neza kuri Elimeleki n'umuryango wiwe I Mowabu. Apfirayo, n'abahungu biwe babiri nabo barapfa.




Umugore wiwe Nawomi asigarana n'abakazana biwe babiri, Rusi na Orupa. Abo bagore babiri bari ab'I mowabu.

5

Nawomi, abaye umupfakazi, yumva ko Uhoraho yagendeye abantu biwe, akabaha umutsima. Aca afata ingingo yo gusubira mugihugu iwabo. Ariko aba bakazana biwe babiri bari bagiye kuvyifatamwo gute? Nawomi abahanura kuguma i mowabu no gusubira kurongorwa.



6

Orupa asubira m'umuryango wiwe. Ariko Rusi aranka. Ahitamwo kuvuga amajambo adasanzwe aho yasezeranira inabukwe ko batazokwigera batandukana.




7


Abagenzi ba kera ba Nawomi baranezerewe kubona agarutse i beterehemu. Ariko abasaba kumwita "Mara" (kurura) aho kumwita Nawomi (kanyamuneza). "Kuko Imana mushoboravyose yankoreye ibirura" Nawomi yagarutse ataco afise kiretse Rusi.




8



N'aho Rusi yari yarasenze ibigirwamana n'abandi beshi b'i mowabu, yarabihevye asenga Imana nzima y'ab'isirayeli. Rusi yarakora cane kugira ngo Nawomi aronke ivyo ashobora gufungura bikwiye. Imisi yose yama akurikira abariko baragenya akagenda aratoragura intete bibagiye.



9



Bowazi, nyene umurima, yumva bavuga ingene Rusi ari umuntu mwiza kuri inabukwe. Igihe yamubona, yaciye abwira abimbuzi biwe ko bomuha imikama y'ingano. Bowazi aca atangura gukunda Rusi.

10



Rusi amaze kubarira Nawomi ineza ya bowazi, uwo mutamakazi aca ahimbaza Imana. "Uwo mugabo ni umwe mubavyeyi bacu, ari mubo m'umuryango wacu."

11



Uko imisi yahera, bowazi yipfuza kwabira Rusi, no kumwitwararika we hamwe n'ivyo m'umuryango wiwe. Ariko hari uwundi muvyeyi wo hafi m'umuryango yari yamuhisemwo ubwambere. Uwo muntu wewe yashaka ivyo Rusi atunze ariko ntiyashaka Rusi ngo amwabire.



12

Muri ico gihe, abantu ntibafatana amaboko kugira ngo berekane isezerano basezeranye. Bowazi yikura isandali imwe muzo yari yambaye ayiha k'umugaragaro uwundi mugabo. Isezerano riba riranshinzwe. Rusi yari agiye kuba umugore wiwe.



Kuva ico gihe, Nawomi na Rusi baciye baba abo m'umuryango wa Bowazi.


13

Bowazi na Rusi bita umwana wabo wa mbere Obedi. Niwe yavuyemwo sekuru wa Dawidi, umwami ahambaye wa Isirayeli.



14

Ariko m'uburyo budasanzwe, uwo mwana obedi aba mubasekuruza ba Yesu Kristo. Yesu ava m'umuryango wa Dawidi kugira ngo abe Umwami w'abami kandi Umukiza w'isi.






Rusi: Inkuru Y'urukundo

Inkuru ivuye mw'Ijambo ry'Imana, Bibiliya

tuyisanga muri

Rusi

"Guhishurirwa amajambo yawe kuzana umuco, guha abatungu ubwenge." Zaburi 119:130






16 60



Iyi nkuru ya bibiliya itubwira kuvyerekeye Imana yacu y'igitangaza yaturemye kandi igashaka ko tuyimenya.

Imana irazi ko twakoze ibibi, arivyo yita icaha. Igihano c'icaha ni urupfu ariko Imana iragukunda cane yarungitse umwana wayo w'ikinege, Yesu, gupfa ku musalaba kugira ahanwe kubw, ivyaha vyawe. Hama Yesu asubira kubaho aca agenda I muhira mw'ijuru. Niwizera Yesu ukamusaba aguharire ivyaha vyawe, azobikora. Azoza abe muri wewe, hama uzobana na we ibihe bidashira.

Niwizera uko ni ukuri, bwira Imana ibi:
Yesu mwiza, ndizera ko uri Imana, kandi wacitse umuntu ugapfa kubera ivyaha vyanje, hama ubu ukaba uri muzima. Rero ingo mu bugingo bwanje hama uharire ivyaha vyanje, kugira ngire ubugingo bushasha, hama umunsi umwe nze mbane na we ubugingo budashira. Mfasha kugira ndakwumvire kandi mbeho ku bwawe nk'Umwana wawe. Amen.

Soma bibiliya hama uvugane n'Imana iminsi yose. Yohana 3:16